*Nyakanga 2024* *kirundi*

# Umviriza neza!

Mariya yicara iruhande ya Yezu,
yumviriza amajambo yiwe (Luka 10,39)

**Kontakt:** Meinolf Wacker
Kirchplatz 7
59174 Kamen

Mobil.: +49-172-5638432
Mail: meinolf.wacker@go4peace.eu
Homepage www.go4peace.eu

Bakunzi b'Ijambo,

„Yooo! Ese ukuntu vyangiriye neza. Ubu numva igice cʻumutwaro cavuyeko!" Uko niko tuvuga twiruhutsa, igihe hari umuntu yatwumvirije ashizemwo ubugwaneza. Igihe dushobora kuvuga ibituremereye ku mutima vyose, kuko uwo tuvugana yatwugururiye akaduha ikibanza mu mutima, aho niho duca natwe dutahura neza uwo turi. Ivyari biremereye bica biremuruka, ivyari bifutanye bigatamanzura, eka nʻukutamenya kukahava.

Mariya yari asanzwe be na mwenewabo Marita na musaza wabo Lazaro bacuditse na Yezu. Yari azi kwumviriza neza. Igihe Yezu yari iwabo, yaricara iruhande yiwe agatega amatwi amajambo yiwe (Luka 10,39). Muri ico gihe Yezu yarumva ko yategerewe neza kandi bikamuha nʻingoga nshasha.

Natwe rero tugerageze kwama dutegura ico kibanza cʻurukundo, kugira twakire uwundi mu ngorane ziwe, mu bibazo eka no mu kanyamuneza. Twame dutangana akanyamuneza agacerere, kugira ngo uwundi ashobore kuvuga ikimubakiye.

Umusi umwe, mwʻihwaniro rwʻurwaruka twama tugira ku misi yʻImana, hari hitavye umusore umwe rudende. Niho nigira inama yo guhebera uyo musore umwanya ukwiye. Twarinjiye mu kiyago cimbitse. Uyo muyabaga yaranyiganiye ibintu atari bwigere ashobora kuganira nʻumuntu nʻumwe. Naramwumvirije nshizeko umutima. Mu gusozera niho yambwira ati : „ Uzi ukuntu vyangiriye neza! Ubu numwa ndonse umuco kandi ndaronse ingoga nshasha zo kubandanya inzira yanje. Wakoze." **Umviriza neza!**

Ku bwa go4peace Team Meinolf Wacker